REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

# ITANGAZO RY'UMUGWI W'IGIHUGU WIGENGA UJEJWE GUTUNGANYA AMATORA (CENI) RYEREKEYE ITORA RY'ABAJENAMA B'IMITUMBA CANKE IYA KARITIYE B'IKIRINGO CA 2025-2030

Umugwi w'Igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora mu Burundi (CENI) uramenyenyesheje abantu bose ibi bikurikira :

1. Itora ry'Abajenama b'imitumba canke amakaritiye rizoba kw'igenekerezo rya 25 Myandagaro 2025. Iryo tora rizobera mu bibanza n'ibiro vy'amatora vyabereyemwo amatora y'abajenama b'amakomine n'abashingamateka kw'igenekerezo rya 05 Ruheshi 2025. Iryo tora ritunganywa hisunzwe itegeko ry'Umukuru w'igihugu N°100/187 ryo ku wa 07 Kigarama 2024 rirarika abenegihugu gutora Abashingamateka, Abajenama b'amakomine, Abakenguzamateka, Abajenama b'imituma canke Amakaritiye hamwe n'Abakuru b'imitumba canke amakaritiye, hisungwa kandi ingingo yafashwe n'Umugwi CENI N°010/CENI/2025 yo ku wa 04 Mukakaro 2025 itomora ibikenewe mu gutora abajenama b'imitumba n'amakaritiye, hamwe n'ikirangamisi c'amatora y'uno mwaka wa 2025.
2. Itora ry'Abajenama b'imitumba canke amakaritiye rizobera ku mitumba canke ama karitiye 3044 mu biro vy'itora 14103.
3. Uwufise uburenganzira bwo gutora azokwishikira ahabera itora, yitorere we nyene ubwiwe canke atume uwumutorera, hisunzwe amategeko. Itora ritangura isaha cumi na zibiri z'igitondo (6h)

rikarangira isaha icenda z'umuhingamo (15h). Mugabo, yihweje uko ibintu bimeze, umukuru w'abahagarikiye amatora kuri ivyo biro vy'itora arashobora gufata ingingo yo kwungururiza ico gihe co guheza amatora kw'isaha icumi zo ku mugoroba zitarenga. Iyo ngingo iratangirwa imvo kandi ikandikwa mu cegeranyo cerekana ingene amatora yagenze.

4. Uwutora atazi gusoma no kwandika ararekuriwe kubifashwamwo n'umuntu yitoreye afise uburenganzira bw'ugutora.

5. Umutumba canke ikaritiye urongorwa n'Inama y'umututumba canke Inama ya Karitiye. Uwuri mu Nama y'umututumba wese canke mu ya karitiye yitwa Umujenama w'umututumba canke uwa karitiye. Nta n'umwe arekuriwe kuba mu bagize Inama y'umututumba canke iya karitiye irenga imwe mu kiringo kimwe.
6. Uwitoza ngo abe umujenama w'umututumba canke wa karitiye ategerezwa :
   - Kuba afise ubwenegihugu bw'Uburundi ;
   - Kuba aba kuri uwo mututumba canke muri iyo karitiye canke akaba ahafise urugo;
   - Kuba amaze gukwiza imyaka mirongo ibiri n'itanu y'amavuka umusi w'amatora ;
   - Kuba mu kibano azwi ko yigenza neza kandi ari intungane;
   - Kuba azi gusoma n'ukwandika.

**Ivyo bitomorwa n'ingingo y'173 y'Ibwirizwa riringaniza amatora mu Burundi.**

7. Muri ibi bisabwa kugira ngo umuntu yemererwe kwitoza, ikijanye n'uko umuntu aba azwi neza mu kibano kandi ko yigenza neza, abantu ntibavyumva kumwe. Ni co gituma uwufise akamubakiye, ibwirizwa ritegekanya ko yitura umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora muri komine kugira ngo ahabwe inyishu ibereye. Iyo atanyazwe n'inyishu yahawe, arashobora kwungururiza mu mugwi w'intara wigenga ujejwe amatora (CEPI).

8. Vyongeye, kuri ivyo vyose bishikirizwa nk'ivyagiriji, umugwi CENI umenyesha abazoja gutora ko gutora ari mw'ibanga. Uwufise ico akema uwitoza, yomwima ijwi ryiwe.

9. Inama y'umutumba canke iya karitiye igizwe n'abantu batanu batorwa n'ababa kuri uwo mutumba canke muri iyo karitiye bo nyene ubwabo. Abajenama b'imitumba canke ab'i karitiye ntibatorwa hisunzwe intonde zigirwa n'imigambwe. Abitoza bose bitoza ku giti ca bo. Ariko nsabe abumva canke abasoma rino tangazo bategere neza ko uwuri mu mugambwe atabujijwe kwitoza. Ikibujijwe n'uko yokwitoza avuga ko aserukira umugambwe. **Ivyo tubisanga mu ngingo y'170 y'Ibwirizwa riringaniza amatora mu Burundi.**

10. Abatangazwa ko batowe ni abitoje batanu barushije abandi amajwi. Mu gihe hari abitoje banganije amajwi, uwurusha abandi imyaka y'amavuka ni we aba atowe igihe basangiye igitsina. Iyo badasangiye igitsina na ho, uwuri mu mugwi w'igitsina c'abadaserukiwe bikwiye ni we aba atowe.

11. Umujenama yarushije abandi amajwi ni we aba Umukuru w'umutumba canke uwa karitiye.

12. Amabanga y'umukuru w'umutumba canke uwa karitiye ntashobora kubangikanywa n'iyindi mirimo ya Reta, yaba imirimo umuntu ashingwa biciye mu matora canke mw'igenwa.

Amabanga y'Umukuru w'umutumba canke uwa karitiye bisaba ko aba kuri uwo mutumba canke iyo karitiye imisi yose.

Umukuru w'umutumba canke uwa karitiye ntashobora kuba ari mu bagize inzego z'umugambwe, urunani rw'imigambwe canke

ngo abe ari umunyeshure w'amashure yisumbuye canke uwo muri kaminuza. **Ivyo vyerekanwa n'ingingo y'171 y'Ibwirizwa riringaniza amatora mu Burundi.**

13. Menya neza : hari abagize imisi badushikiriza ubutumwa buvuga ko babona ku ntonde z'abitoza abasanzwe bafise imirimo ya Reta canke ko harimwo abari mu nzego z'umugambwe uyu canke uriya. Umuntu wese akwije ibisabwa n'amategeko arafise uburenganzira bwo kwitoza. Amategeko avuga ko uwumaze gutorerwa ikibanza c'umukuru w'umutumba canke uwa karitiye ari we adasubira gushingwa ayandi mabanga, yaba aya Reta canke ayo kuba mu nzego zirongoye umugambwe. Ivyo rero bimenyekana amatora amaze kurangira (**incompatibilité**).

14. Ivyavuye mu matora yo ku mitumba no mu ma karitiye, bitangazwa vy'imfatakibanza n'Umugwi wigenga ujejwe amatora mw'ikomine. Umaze kwihweza ivyo abatashimishijwe n'ivyavuye mu matora bawushikirije, Umugwi wigenga ujejwe amatora mu ntara uratangaza ivyavuye mu matora ntabanduka, ugaca ubishikiriza bidatevye Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose, ugaha ikopi Bulamatari na Musitanteri. Ivyo biheze, ikiringo c'abatowe gica gitangura.

15. Umugwi w'igihugu wigenga usavye abakwije ibisabwa n'amategeko kuzozinduka kwitorera abajenama b'imitumba n'amakaritiye kw'igenekerezo rya 25 Myandagaro 2025.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 12/8/2025

Prosper NTAHORWAMIYE

Umukuru w'Umugwi CENI

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CENI
COMMISSION ELECTORALE NATIONALE INDEPENDANTE